# الفرق والأديان

# FIRAQU WA-ADEYAN

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

## **INGERERANYO Y'AMADINI الفرق والأديان :**

INTANGAMARARA المقدمة:

Amashimwe nyakuri ni ay'Uwuhoraho Imana Allah Umuremyi w'ibiremwa vyose, kandi amahoro n'imigisha bibe ku Ntumwa y'Imana Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n'imigisha).

ICIGWA CA MBERE:

- Inyigisho y'Intumwa y'Imana igaragaza ingene umuryango w'Abislamu uzokwicamwo utugwi:

عن أنس بن مالك رضي الله عنه عن النبي ﷺ قال: " إن بني إسرائيل افترقت على إحدى وسبعين فرقة، وإن أمتي ستفترق على اثنتين وسبعين فرقة، كلها في النار إلا واحدة وهي الجماعة"

Insiguro: Nk'uko yashikirijwe na Anasi mwene Malik (Imana Imwishimire) avuga ko Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) yavuze Iti: '' Umuryango w'abana ba Israyeli wiciyemwo utugwi mirongo indwi na kamwe (71), nayo umuryango wanje uzokwicamwo utugwi mirongo indwi na tubiri (72), utwo tugwi twose ni utwo mu muriro udahera kiretse umugwi umwe (1) gusa, nawo ni umugwi uzosenyera ku mugozi umwe (mu gukurikiza imico n'imigenzo yanje hamwe n'iy'ingendanyi zanje''.

INGENE UMURYANGO W’UBWISLAMU WIGABUYEMWO IMIGWI MIRONGO INDWI N’ITATU كيفية اختلاف الأمة وتحصيل عدد فرقها الثلاث والسبعين:

Kuva Intumwa y’Imana Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n’imigisha) atarapfa, umuryango w’Ubwislamu wari ikintu kimwe ugendera ku mategeko amwe yose y’Ubwislamu.

Rero ukutumvikana kwa mbere hagati y’Abislamu kwatanguye inyuma gatoyi y’urupfu rw’Intumwa y’Imana Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n’imigisha).

1. UKUTABONA KUMWE URUPFU RW’INTUMWA Y’IMANA MUHAMADI (IMANA IMUHE AMAHORO N’IMIGISHA):

Bamwe mu Bislamu bavuga yuko, atapfuye , ngo ahubwo Imana Allah yashatse kumuduza mw’ijuru nkuko yadugije Yesu (Issa, alayhi salaam).

Uwashoboye kubumvikanisha ni Abou Bakar Swidiq aho yaciye abashikiriza inyigishi y’ijambo ry’Imana Allah Ibwira Intumwa yayo Muhamadi (Imana Iyihe amahoro n’imigisha) Iti:

"إنك ميت وإنهم ميتون" سورة الزمر 30.

Insiguro: {{ Mu vy’ukuri wewe (Muhamadi) uzopfa, kandi nabo bazopfa}}. ZUMARA 30.

Abou Bakara Swidiq (Imana Imwishimire) yaciye ababwira ati: ‘’Uwahora asenga Muhamadi, amenye yuko Muhamadi yapfuye, n’uwahora asenga Imana Allah, amenye ko Yo iriho kandi idapfa’’. Inyuma yayo majambo, niho bose baca bemera ko yapfuye.

2. UKUTUMVIKANA AHO BOHAMBA INTUMWA Y'IMANA:

Inyuma y'ivyo, hagaragaye ukutumvikana ku kibanza bohambamwo Intumwa y'Imana Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n'imigisha).

a) Abislamu b'I Makka bashaka ko bomusubiza I Makka kubera ari ho yavukiye, kandi ari naho yaherewe ubutumwa, hakaba ariho hari igisekuruza ciwe n'imva ya Sekuru wiwe Ismail (alayhi salaam).
b) Abislamu b'I Madina, babonako yohambwa I Madina, kubera yuko ariho yimukiye ari naho bamutabaye.
c) Abandi nabo, babona ko bomuhamba mu gisagara ca Yeruzalemu, bamuhambe ku nzu Ntagatifu irahande y'imva ya Sekuru wiwe Ibrahimu (alayhi swalaatu wasalaam).
d) Niho Abou Bakari Swidiq (Imana Imwishimire) yabashikiriza inyigisho (Hadithi) y'Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) ivuga iti:

"روى لهم أبو بكر الصديق رضي الله عنه عن النبي ﷺ قال: " إن الأنبياء يدفنون حيث يقبضون "". رواه الترمذي في كتاب الجنائز.

Insiguro: '' Mu vy'ukuri, abavugishwa Mana (Intumwa n'Abahanuzi) bahambwa aho bapfiriye''. Yakiriwe na: Tirmidhi mu gitabu (Janaiz).

3. UKUTUMVIKANA KU MUYOBOZI YORONGORA UBWISLAMU INYUMA Y'URUPFU RW'INTUMWA Y'IMANA MUHAMADI (IMANA IMUHE AMAHORO N'IMIGISHA):

Abislamu baciye baja hamwe bumvikana ko borongorwa na Abou Bakara Swidiq (Imana Imwishimire), aba ariwe yosubirira Intumwa y'Imana Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n'imigisha) mu kuyobora Ubwislamu n'Abislamu.

INTANGO Y'ICUKA KIBI HAGATI Y'ABISLAMU بداية الفتن والفرقة بين المسلمين:

Icuka kibi hagati y'Abislamu, catanguye mu mpere y'intwaro ya Uthmani bun Afan (Imana Imwishimire), aho bamwe mu bislamu batanguye kugwanya intwaro yiwe, bamwagiriza yuko yonona ubutunzi bw'Abislamu akongera agaha akazi abo mu muryango wiwe gusa. Bakavuga yuko Ally bun Abi Twalib ariwe akwiye gutwara imbere ya Uthman.

Ivyo bamwagiriza, vyabaye mu bintu vyatumye agandagugwa n'akagwi katashakira ineza Ubwislamu n'Abislamu. Iryo gandagugwa rya Uthmani bun Afan (Imana Imwishimire) ryuguruye umuryango w'ubwicanyi hagati y'Abislamu.

Niho umugwi umwe w'Abislamu wagenda mu gihugu ca Iraq ahitwa I Basra ahari ako kagwi kagandaguye Uthmani, bajanwe no kurondera ubutungane kubagandaguye Uthmani bun Afan. Uwo mugwi warugizwe na Zubairi na Twalha na Aisha (Imana Ibishimire bose).

Ally bun Abi Twalib, aca ava I Shami agenda muri Iraq bahurira I Basra na wa mugwi, baca bumvikana yuko abagandaguye Uthmani nabo nyene bategerezwa kugandagugwa. Abislamu baryama iryo joro bumvikanye uko.

Muri iryo joro nyene, kakagwi k'abicanyi gaca gatangura kugumuka, gatangura ubwicanyi muri iryo joro, ubwicanyi buca buraduka hagati y'imigwi ibiri.

Umugwi wa Ally bun Abi Twalib, n'ingabo ziwe. N'umugwi wa Zubairi na Twalaha na Aisha umukenyezi w'Intumwa y'Imana Muhamadi (Imana Ibahe amahoro n'imigisha). Ingwano yarakomeye hagati y'iyo migwi ibiri, gushika yaho Zubairi na Twalaha bicwa, irangira ku ntsinzi ya Ally bun Abi Twalib (Imana Ibishimire abo bose).

Ally yamaze imisi cumi n'itatu (13) I Basra aca asubira I Kuffa.

INGWANO YA SWUFFIYNA موقعة الصفين:

Ingwano ya Swuffiin, ni intambara yari hagati y'abantu bo muri Iraq barongowe na Ally bun Abi Twalib, n'abantu bo muri Sham barongowe na Muawiya bun Abi Sufiyan.

ICATUMYE IYO NTAMBARA YADUKA:

N'uko abantu bo muri Kuffa banse kuja musi y'amategeko ya Ally bun Abi Twalib, ngo kiretse abanje kugira ubutungane kubagandaguye Uthmani bun Afan, abantange nabo nyene bagandagugwe.

Niho Ally bun Abi Twalib yaguma arungika intumwa zitandukanye kugira zigondoze Muawiya bun Abi Sufiyan ahebe, ahubwo yinjire musi y'amategeko ya Ally. Ariko ako kigoro kose kabaye impfagusa, Muawiya bun Abi Sifiyan abandanya kugarariza ubutegetsi bwa Ally bun Abi Twalib.

Niho rero haca haduka ingwano hagati y'abantu bo muri Iraq n'abo muri Sham. Iyo ngwano yamaze imisi itari mike.

Abantu bamaze kuruha n'iyo ntambara baciye baja mu nzira y'ibiganiro.

Abo muri Iraq barungitse Abou Mousa Al-Ash`ariy (Imana Imwishimire).

Abo muri Sham, barungitse Amru bunul `Aaswi.

Niho abo Bashingantahe bumvikana ko:

1) Intambara ikwiye guhagarara ikiringo c'umwaka kugira barabe ineza y'abanyagihugu.
2) N'uko Ally bun Abi Twalib hamwe na Muawiya bun Abi Sufiyan bava ku butegetsi bagakinjura.

Niho abantu batandukana, umwe wese asubira iyo yaje ava. Ally bun Abi Twalib n'ingabo ziwe basubira muri Iraq (Kuffa).

Muawiya bun Abi Sufiyan n'ingabo ziwe nabo basubira muri Sham.

Ally bun Abi Twalib amaze gushika muri Kuffa haciye haduka akagwi k'abantu bahakana ivyavuye mu biganiro, bavuga bati: '' Nta rubanza kiretse urubanza rw'Imana''.

Ako kagwi mu bantu ba Ally bun Abi Twalib, gaca gatangura imigumuko, ibintu bibandanya kuba bibi, haca havuka akagwi kitwa: AL-KHAWAARIJ kiyonkoye k'ubutegetsi bwa Ally bun Abi Twalib.

AKA KAGWI RERO K'ABAKHAWARIJI, KACIYE KIYUMVIRA GUKORA IKIBI KIBISHE CO KWICA ABANTU BATATU, NABO N'ABA:

1) Ally bun Abi Twalib.
2) Muawiya bun Abi Sufiyani.
3) Amru bunul Aswi.

Ivyo babiteguye, ngo kugira abantu batore uwundi atari muri abo batatu, bongere baruhuke induru zabo.

Niho rero Ally bun Abi Twalib, yagwa mu mutego w'ako kagwi aragandagurwa.

Uku rero niko umuryango w'Abislamu wiciyemwo imigwi inyuma y'ivyo biganiro vyo guhagarika intambara, haca hatangura kuvuka utugwi twinshi mu muryango w'Abislamu.

AL-KHAWAARIJ: الخوارج

Abakhawariji, niwo mugwi wa mbere watanguye kuboneka m'Ubwislamu wiyonkoye ku butegetsi bwa Ally bun Abi Twalib, ku mvo zo kwanka ivyavuye mu biganiro vyo guhagarika intambara hagati ya Ally bun Abi Twalib na Muawiyatu bun Abi Sufiyani.

Uyo murwi wahavuye wigaburamwo canke wicamwo utugwi mirongo ibiri (20), natwo n'utu:

الحازمة، اليعلومية، الأزارقة، المجهورية، المعبودية، النجدات، الصقرية، اليزيدية، العجارة.

Umugwi wa العجاردة nawo nyene wigabuyemwo utugwi, natwo n'utu:

المعلومية، الشيعية، الحازمية، الحمزية، الرشيدية، المكرمية، الإبراهمية، الوافقة، الإباضية.

الإباضية:

Abaibadhi: Abo nabo nabayoboke ba Abdullahi bun Ibadwi.عبد الله بن إباض

Abaibadhi nabo bigabuyemwo utugwi natwo n'utu:

الحفصية، الحارثية، اليزيدية، الميمونية. كل هؤلاء يتفقون في اكفار علي بن أبي طالب وعثمان بن عفان والحكمين وأصحاب الجمل وكل من رضي بالتحكيم.

Iyo migwi yose, ihuriza ku kintu kimwe co kwita umuhakanyi Ally bun Abi Twalib na Uthmani bun Afan, n'abashingantahe babiri aribo: Abu Mousa Al-Ash`ari na Amru bunul `Aswi, n'abagiye bose mu ntambara yitwa: Mawqi`ataul Jamal موقعة الجمل harimwo n'umukenyezi w'Intumwa y'Imana (Imana Imuhe amahoro n'imigisha) yitwa Aisha. Barahakana kandi uwo wese yashigikiye abemera ivyavuye muvya biganiro vyo guhagarika ingwano.

UKWEMERA KW’ABAIBADHI: عقائد الإباضية

1) Guhakana ukubona Imana Allah n’amaso kubazoja mu Bwami bw’ijuru.
2) Guhakana bamwe mu Ngendanyi (تكفير بعض الصحابة)
3) Bemera ko umunyavyaha wese ari umuhakanyi. (كافر), ngo iyo uyo munyavyaha yitavye Imana atarasaba ikigongwe, ngo n’uwo gutabwa mu muriro ubutakivayo.

   ***Itegereze neza***: Mu muryango wa Ahlu Sunnatul wal-Jama`a, bemera yuko uyo umuntu yitavye Imana atarasaba ikigongwe, afise ibindi bicumuro atari ukubangikanya Imana Allah, uyo azoba ari mu bushake bw’Imana Allah. Kandi Imana Ishatse Izomuhana bivanye n’ivyo yakoze canke imugirire ikigongwe.
4) Ugusigura Qur’ani ku vyipfuzo vy’imitima yabo.
5) Bavuga yuko Qur’ani yaremwe itururukijwe.
6) Bavuga yuko kizira gusabira ikigongwe umunyavyaha, ngo kuko ari uwo gutabwa mu muriro udahera ubutakivayo.
7) Uguhindura ihayagizwa n’ishimagizwa mu Mazina y’Imana Allah, ngo mu gutinya kugereranya Imana n’ikindi kintu, nk’akarorero:

- Ngo Imana Irabona ata maso: بصير بلا بصر
- Ngo Imana Irumva ata matwi: سميع بلا سمع

AL-SHI`ATU SABAIYAT: الشيعة السبئية

الشيعة السبئية ، ظهر في عهد علي بن أبي طالب عند ما ظهر بدعتهم العقائدية في زمان علي، فقالوا بعضهم لعلي: "أنت الإله" فأحرق علي بن أبي طالب قوما منهم ونفر ابن سبإ إلى ساباط اليدائي، وهؤلاء كانوا بقيادة عبد الله بن سبإ.

INSIGURO:

Abashia: N’umugwi watanguye kuboneka ku ntwaro ya Ally bun Abi Twalib, utangujwe n’umugabo w’umuyahudi yitwa Abdullahi bun Sabai, igihe bamwe muribo babwira Ally bun Abi Twalib bati: ‘’Ewe Ally! Uri Imana Nzima . Niho Ally yaturira bamwe muri bo, abandi arabangaza harimwo na Abdullahi bun Sabai. Aca arahunga.

UKWITWA ABASHIA:

Biswe Abashia, ku mvo yo kuja kubiri n'ukwemera kw'Abislamu, kubwo kuvuga ko Ally ari imana.

INTANGO Y'UBUSHIA N'UWABUTANGUJE:

Abashia: N'umugwi wiyitirira kuyoboka Ally bun Abi Twalib n'Abahungu biwe babiri, aribo: Hassani na Hussein n'uruvyaro rwabo. Ukavuga yuko Ally bun Abi Twalib ko ariwe yari kurongora no kuyobora Abislamu inyuma y'urupfu rw'Intumwa y'Imana Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n'imigisha).

UTUGWI TW'ABASHIA: فرق الشيعة

افترق الشيعة الروافضة بعد زمان علي بن أبي طالب على أربعة أصناف:

1- الزيدية. 2- الكيسانية. 3- الإمامية: 4- الغلاة البيانية.

Inyuma y'urupfu rwa Ally bun Abi Twalib, Abashia bigabuyemwo imirwi ine mikuru, nayo n'iyi: 1- Abazayidiya. 2) Abaimamiya. 3) Abakayisaniya. 4) Abaghulatu.

1- ABAZAYIDIYA: الزيدية من الرافضة

Abazayidiya: Ni abayoboke ba Zaidi bun Ally bun Hussein bun Ally bun Abi Twalib. Aba bakaba baratanguye kuboneka mu gihe c'umuyobozi wa cumin a gatanu mu mwaka wa 105 Hijriyat gushika 125 Hijriyat, ariwe Hisham bun Abdulmalik, igihe basaba Ally bun Hussein ngo agararize ubutegetsi bwa Hisham bun Abdulmalik.

IBISABWA MU KUGENA UMURONGOZI KUBA ZAYDIYA:

1- Abe ari mu bana ba Fatwima (uruvyaro).
2- Abe ari inkerebutsi, afise n’ubumenyi.
3- Abe akomoka no ku ruvyaro rwa Hassan na Hussein.

2- ABAKAYISANIYA: الكيسانية من الرافضة

Aba nabo: Ni abayoboke ba Kaysan umushumba wa Ally bun Abi Twalib, bakaba bemera yuko Ally bun Abi Twalib azi vyose. Kandi basigura Qur’ani kuvyipfuzo vy’imitima yabo.

3- ABAGHULATU: الغلاة البيانية

Aba ni abayoboke ba Bayan bun Sam’ani, nabo nyene bakaba muri wa mugwi wa Abdullahi bun Sabai mu kwemera ko Ally bun Abi Twalib ari imana.

4- ABAIMAMIYA: الإمامية

Aba nabo: Ni Abashia bashingira intahe yuko Ally bun Abi Twalib ariwe yari kurongora Ubwislamu inyuma y’urupfu rw’Intumwa y’Imana Muhamadi (Imana Iyihe amahoro n’imigisha).

Nico gituma biswe (Abanse: الرافضة) kubwo kwanka no guhakana kwabo intwaro ya Abou Bakari Swiddiqi na Umaru bunul Khatwab na Uthmani bun `Afan, bakabita ko ari abambuzi ngo kubwo kuyobora mu kiringo ca Ally bun Abi Twalib. Kandi banabita ko ari abahakanyi (abakafiri).

ABAIMAMIYA BIGABUYEMWO IMIGWI CUMI N'ITANU (15) NAYO N'IYI:

الإمامية ، إنها خمس عشرة فرقة، وهي:

1- المحمدية. 2- الباقرية. 3- الناووشية. 4- الشميطية. 5- العمارية. 6- الإسماعلية. 7- الباركية- 8-الموسووية. 9- القطعية. 10- الهشامية، من أتباع هشام بن حكم. 11- الزرارية، من أتباع زرارة بن أعين. 12- الينوسية، من أتباع يونس القمي. 13- الكاملية، من أتباع ابن كامل وهو أفحش قولا في علي وفي سائر الصحابة رضوان الله عنهم. 14- الشيطانية، من أتباع شيطان الطاق. 15- الإثنا عشرية.

AL-ITHNA `ASHARIYA: الإثنا عشرية

ITHNA ASHARIYA: Ni Abashia bayoboka abarongozi babo cumi na babiri (12), nabo n'aba:

1) Ally bun Abi Twalib.
2) Al-Hassan bu Ally.
3) Al-Hussein bun Ally.
4) Muhammadi Zainul `Abidiina bun Hussein.
5) Muhammadi Al-Baqri bun Ally Zainul `Abidiina.
6) Jafari Swadiq bun Muhammadi Al-Baqri.
7) Musa  Al-Kadhwim bun Jafar Swadiq.
8) Ally Ridwa bun Musa Al-Kadhwim.
9) Muhammadi Al-Jawadu bun Ally Ridwa.
10) Ally Al`Aahadi bun Mahadi Al-Jawadi.
11) Al-Hassanu Al-Askari bun Ally Al`Aahadi.
12) Muhammadi Al-Mahadi bun Al-Hassani Al-Askari.

Itegereze neza: Abo bose bakomoka mu muryango wa Ally bun Abi Twalib, mu nda ya Fatwima umukobwa w'Intumwa.

UTUNDI TUGWI TW'UBUSHIA: فرق الشيعة أخرى

a) AL-MURJI`ATU: المرجعة

IJAMBO(IRJAA`U إرجاء): Risigura kurindiriza ikintu. Bavuga yuko bisigura kurindiriza Ally bun Abi Twalib mukumuha ikibanza canyuma kandi, yari mukibanza ca mbere. Ngo Ally aca yitwa uwarindirijwe.

b) AL-JABRIYYA: الجبرية

Al-Jabra: ni uguhakana igikorwa cakozwe n'umuntu ukakegeka ku Mana Allah. Bavuga yuko umuntu atabushobozi afise bwo gukora ikintu, ngo ivyakora vyose abitegekwa n'Imana (n'ukuvuga abikoreshwa nayo, naho yoba akoze ikosa). Imana nihabwe icubahiro.

c) AL-JAHAMIYYAT: الجهمية

Abajahamiya: Ni abayoboke ba Jahami mwene Swafuwaani . Nawe nyene akaba ari mu Abajabriya mukwemera kwiwe.

Ikindi naco, nawe arahakana ihayagizwa n'ishimagizwa mu mazina y'Imana Allah, ati:

- Ngo Imana Irabona ata maso: بصير بلا بصر
- Ngo Imana Irumva ata matwi: سميع بلا سمع
- Ngo Imana Ninzima ata buzima : الحي بلا حياة n'ibindi.....

UKWEMERA KW’ABASHIA: عقائد الشيعة

1- AL-IMAAMATU: الإمامة

IMAMA: Ni uburyo umurongozi agenwa mubashia.

Abashia bavuga yuko umuntu agenwa mu mvugo (الوصي), ari nayo mpamvu bavuga yuko: Ally bun Abi Twalib ariwe yari kuyobora no kurongora Abislamu inyum y’urupfu rw’Intumwa y’Imana Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n’imigisha), ngo kuko Intumwa y’Imana niyo yasize imugenye.

Ninaco gituma batemera uburongozi bwa Abou Bakari Asswiddiq kubera yatowe n’abantu, atagenywe.

Bavuga kandi y’uko, Ally yasize agenye abahungu biwe Hassani na Hussein.

Uku rero niko Abashia bagena abayobozi babo.Uwuriho asiga agenye uwuzomusubirira , nk’uko tubisanga mu majambo ya Abdullahi bun Sabai, avuga ati:

إنه قد كان لكل نبي وصي، وإن علي بن أبي طالب هو وصي محمد.

Insiguro: Mu vy’ukuri Intumwa yose yari ifise uwo iraga amabanga yayo, samuragwa wa Muhamadi ni Ally bun Abi Twalib.

Aca abwira abantu yuko Uthmani bun ‘Afaan yatwaye mu kiringo ca Ally, niho yaca ahimiriza abantu guhagurukira ico kibazo, basubize intwaro kuri beneyo. Yongera ati:

أنه كان ألف نبي ولكل نبي وصي، وكان علي وصي محمد. ثم قال: محمد خاتم الأنبياء، وعلي خاتم الأوصياء.

Insiguro: Mu vy’ukuri, habaye Intumwa igihumbi, intumwa yose yaba ifise samuragwa. Rero samuragwa wa Muhamadi ni Ally. Muhamadi n’umuhererezi w’abahanuzi, na Ally ni umuhererezi w’abasamuragwa.

Bakavuga yuko ikigabane cemeza ivyo bavuga, ko Abasangirangendo nka Abou Bakari na Omar bagikuyemwo muri Qur’ani. Naco n’iki:

سورة الولاية المزعومة من كتاب (فصل الخطابة):

يا أيها الذين آمنوا آمنوا بالنورين أنزلناهما يتلوان عليكم آياتي ويحذرانكم عذاب يوم عظيم، نوران بعضهما من بعض، وأنا السميع العليم.

Abashia bavuga yuko ico kigabane cakuwe muri Qur'ani …ngo yuko iyi Qur'ani tubona, atari yo Qur'ani yamanutse ku Ntumwa y'Imana Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n'imigisha), ngo ahubwo yarahinduwe, irongerezwamwo n'ibindi baragabanya.

2- LAWHU FAATWIMAT: لوح فاطمة

Aha Abashia bavuga yuko: Hariho (ivyandiko) uguhishurirwa kandi. Bati: Umumalayika Jibrilu yazanye kwa Fatuma inyandiko zindi inyuma y'urupfu rwa se wiwe (Intumwa y'Imana).

Ngo ico gihe Fatuma yahishurirwa, Ally bun Abi Twalib yari yinyegeje inyuma y'irido aza arandika ivyo Jibrilu avuga abwira Fatuma.

Iryo hishurirwa rya Fatuma, Abashia babiha agaciro gusumba Qur'ani. Kandi birazwi yuko uguhishurirwa kwahereye ku Ntumwa y'Imana Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n'imigisha).

Izo nyandiko nazo n'izi:

هذا كتاب من الله العزيز الحكيم لمحمد نبيه ونوره وسفيره وحجابه ودليله نزل به الروح الأمين من عند رب العالمين.

عظيم يا محمد أسمائي واشكر نعمائي ولا تجهد آلائي إني أنا الله لا إله إلا أنا....الجباتي ومديل الظلومين.

3- AL`ISWMATU: العصمة

Aha Abashia bavuga yuko abarongozi babo batigera bacumura ko ari aberanda.

4- AL`ILMU LADUNNI: العلم اللدني

Aha Abashia bavuga yuko abarongozi babo bahawe ubumenyi n'Intumwa y'Imana bw'ibinyegeje mubijanye n'amategeko y'Idini, ngo kugira bazogaragarize abantu ibijanye n'ibihe vyabo.

5- AL-BADAA-U: البداء

Aha Abashia bavuga yuko abarongozi babo ko bazi ivyinyegeje, bafise ubumenyi bwinyegeje bw'Imana.

Bavuga kandi yuko abarongozi babo bazi igihe bazopfira, ngo kandi ntibashobora gupfa ataruko bavyishakiye.

Bongera bavuga yuko abo barongozi babo basumba Intumwa z'Imana zose, kiretse Intumwa y'Imana Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n'imigisha).

6- KHAWAARIQUL `AADAAT خوارق العادات IBITANGARO:

Aha Abashia bavuga yuko umuyobozi wabo ko aba afise ubushobozi bwogukora ibitangaro.

Bakavuga kandi yuko iyo umuyobozi wabo atagenywe n'uyundi, baca baraba mu bitangaro vyiwe. Iyo rero niyo mvugo ndenzarugero ku bayobozi babo.

7- AL-GHAYBAT الغيبة UKUTABONEKA:

Aha Abashia bavuga yuko umuyobozi wabo wa cumi na kabiri ko yinjiye mw'isenga ryibuye ngo akaba ataragaruka, ngo kurubwo rero baramurindiriye aho azogarukira.

8- ARRAJ`AT الرجعة UKUGARUKA:

Aha Abashia bavuga yuko Hassan Al-Askari umuyobozi wabo wa cumi na kabiri ko azogaruka mu bihe vya nyuma Imana Niyamubwira asohoke muri iryo senga.

Itegereze neza: Abashia bayoboka Abdullahi bun Sabai, bo bemera yuko uwutaboneka ko ari Ally bun Abi Twalib, ngo kuko Ally ntiyapfuye, ngo ahubwo uwutari we. Ngo Imana yaciye Imudugana mw'ijuru nka kurya Yaduganye Yesu (Alayhi salamu) bagomba kumwica. Bati rero, Ally bun Abi Twalib niwe azogaruka.

لعجب ممن يزعم أن عيسى يرجع ويكذب بأن محمدا يرجع، وقد قال الله تعالى: <<إن الذي فرض عليك القرآن لرادك إلى معاد>> سورة القصص 85

Niho yaca atangura kwinjiza mu bangu ivyiyumviro vy'Ikiyahudi ati: Na Muhamadi azogaruka nk'uko Yesu azogaruka. Ati: Kandi birantangaza kubona umuntu avuga ko Yesu azogaruka ntavuge ko Muhamadi azogaruka kandi ariwe akwiye kuzogaruka.

UMUGWI W'ABASHIA ITHNA `ASHARIYA:

Nibo bavuga yuko umuyobozi wabo wa cumi na kabiri Hassan Al-Askari ko ariwe ari mw'isenga ry'ibuye. Ko azogaruka mu bihe vya nyuma Imana Niyamubwira asohoke mw'iryo senga ry'ibuye kugira yice yongere abambe abansi b'Ubushia nka Abou Bakari Swidiki na Umari bunul Khatwab na Aisha umukenyezi w'Intumwa y'Imana.

Ngo uwo rero azogaruka niwe bita: Al- Mahad bisigura ko ari ukwihora kuvyo banyazwe mu gutwara (Politike).

Itegereze neza: Abasuni bemeza ko Mahadi atari Hasan Alaskari, ahubwo Mahadi azoba hitiranwa n'Intumwa y'Imana, n'ukuvuga Muhamadi bun Abdillah, kandi azoba akomoka mu ruvyaro rw'Intumwa y'Imana Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n'imigisha) mu ruvyaro rwa Fatwima.

9- ATTUQYAT التقية UKWIYOROBEKA:

TUQYA: Abashia basigura yuko ari ukuvuga canke gukora ibihushanye n'ivyo wemera ku muntu atabarimwo (ata Tuqya afise).

Iyo rero ikaba ari inkingi mu nkingi z'ukwemera kw'Abashia.

10- AL-MUT`AT المتعة KURONGORA KU GIHE:

Mutaa, Abashia babona yuko ingeso y'ukurongora ku gihe (abagira barongorane kumvikana ikiringo bazomarana mu buzu bwabo), ngo ni umuco mwiza, bakavuga kandi yuko umwana wavyae ku mugore warongoye muri iyo nzira yo ku gihe asumba umwana w'umugore w'igihe kinini.

Bavuga kandi yuko uwutemera Mutaa ko ari umuhakanyi (Kafiri) yavuye mu Bwislamu.

Umwe mu barongozi babo avuga ati: Mu vy'ukuri Imana yabujije Abashia ibintu vyose biboreza, ica Iduha kurongora ku gihe (Mutaa).

Bakaba bishimikiza uyu murongo uri muri Qur'ani:

" فما استمتعتم به منهم فآتوا أجورهن فريضة" سورة النساء 24.

Insiguro: {{ Abo muzorongora muri bo mubahe inkwano zabo zitegetswe }}. Nisai 24.

Nk'uko vyagaragaye mu bitabu vyabo, aho babeshera Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) ngo yavuze iti: Uwuzokwabira ku gihe (Mutaa) rimwe gusa, azorokorwa n'umuriro icagatatu. Abigize kabiri, arokorwe n'umuriro ica kabiri. Abigize gatatu, arokorwe n'umuriro wese.

Mu yandi majambo babeshera Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha), bavuga ngo yavuze Iti: Uwuzogira Mutaa rimwe, azoba afise urwego nka Hussein. Nayo uwugira Mutaa kabiri, azoba afise icubahiro nka Ally bun Abi Twalib. Kandi uwuzogira Mutaa gatatu, azoba afise icubahiro nkanje.

Abashia bavuga kandi yuko, atari vyiza kubikorera inzu yiyubashe mugutinya kuyimaramaza n'ukuyambura icubahiro.

Bakavuga yuko Umari bunul Khatwab ko ariwe yabujije Mutaa kandi ku gihe c'Intumwa vyari birekuriwe. Ariko rero nta kuri kurimwo, kuko Abasuni twemeza ko:

أن الفاروق رضي الله عنه لم يبتدع تحريم نكاح المتعة من عند نفسه، بل كان متبعا لرسول الله صلى الله عليه وسلم حيث حرمها ﷺ عام الفتح في السنة الثامنة من الهجرة تحريما مؤقتا ، بعد أن حرمها في خيبر سنة ست من الهجرة ثم أحلها عام الفتح، فمكث الناس خمسة عشرة يوما وهم يستمتعون، ثم حرمها ﷺ إلى يوم القيامة.

Insiguro: Mu vy'ukuri Omar mwene Khatwab (Imana Imwishimire) ntiyabaye umuntu wa mbere abuza kugongora ivya Mutaa, ahubwo yakwirikije itegeko ry'Intumwa y'Imana  Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n'imigisha) aho yabibuza mu mwaka witiriwe Kugurura igisagara c'I Makka (Amul Fat-hi) umwaka w'umunani (8) Hijriya imbere yo kubibuza vy'agateganyo. Mu

ndwano ya Khaybar Intumwa y'Imana (Imana Iyihe amahoro n'imigisha) ica irabirekura ku kiringo c'imisi cumi n'itanu (15), noneho ica irabibuza gushika ku musi w'umuhero (burundu).

روي مسلم بسنده عن سلمة قال: رخّص رسول الله ﷺ في المتعة عام أوطاس – أي عام فتح مكة – عام ثمان ثلاثا ثم نهى عنها . رواه مسلم. أي أبيح ثم نسخ ثم أبيح ثم نسخ واستقر تحريمه إلى يوم القيامة.

هنا بعض أحاديث تحريم نكاح المتعة، ألا وهي:

1- عن علي رضي الله عنه قال: أن رسول الله ﷺ نهى عن متعة النساء يوم خيبر وعن أكل لحوم الحمر الأنسية . رواه أبوا داود.
2- عن سبرة الجهني رضي الله عنه أنه غزا مع النبي ﷺ في فتح مكة فأذن لهم رسول الله صلى الله عليه وسلم في متعة النساء. قال: فلم يخرج منها حتى حرمها رسول الله ﷺ.

وفي لفظ رواه ابن ماجه : أن رسول الله ﷺ حرم المتعة فقال: " يا أيها الناس! إني كنت آذنت لكم في الاستمتاع ، ألا وإن الله قد حرمها إلى يوم القيامة" رواه مسلم وأبو داود والنساء وابن ماجه وأحمد.

3- أن عمر رضي الله عنه حرمها وهو على المنبر أيام خلافته وأقرّه الصحابة وما كانوا ليقروه على الخطإ لو كان مخطئا.

- وقد روي عن بعض الصابة وبعض التابعين أن زواج المتعة حلال، واشتهر ذلك عن ابن عباس رضي الله عنه وفي تهذيب السنن . وأما ابن عباس فإنه سلك هذا المسلك في إباحتها عند الحاجة والضرورة، ولم يبحها مطلقا، كالخمر ولحم الخنزير ولحم الميتة.

11- UKWIHAKANA البرائة:

Aha Abashia, barihakana Abasangirangendo batatu (3).

1) Abou Bakari Swidiq (Imana Imwishimire).
2) Umari bunul Khatwab (Imana Imwishimire).
3) Uthmani bun Afan (Imana Imwishimire).

Babita ko ari abambuzi, kubwo kuyobora Abislamu mu kiringo ca Ally bun Abi Twalib.

Barihakana na Aisha (Imana Imwishimire) umukenyezi w'Intumwa y'Imana Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n'imigisha), ngo kubera yafadikanije na Zubairi na Twalha m'ubwicanyi bwo kugwanya Ally bun Abi Twalib (Imana Ibishimire).

12- KURENZA URUGERO MUKWEMERA ALLY BUN ABI TWALIB:

Aha bamwe mu Bashia, bafise imvugo ndenzarugero kuri Ally bun Abi Twalib bavuga yuko Ally ari imana (Subhanallah!), abo nabo ni Abashia bitwa Sabaiya.

Abandi bavuga yuko ngo Umumalayika Jibrilu yihenze igihe yari azanye ubutumwa aca yururukira kuri Muhamadi, aho kururukira kuri Ally bun Abi Twalib, ngo kubera kandi Ally bun Abi Twalib asa na Muhamadi nka kurya igikona gisa n'ikindi gikona.

Abo Bashia b'Abasabaiya, bavuga yuko Ally bun Abi Twalib ari mu bicu, ngo kandi inkuba ari ijwi ryiwe. Umwe muri bo, iyo yumvise umuturagaro aca avuga ati:

"عليك السلام يا أمير المؤمنين"

Insiguro: '' Turakuramukije amahoro ewe ndongozi y'abemera''.

BIMWE MU BIKORWA BIGAYITSE BAKORA:

Imisi mikuru:

- Umusi wo kuganduka no guca ku mazi, bararira bavuga amajambo atameze neza.
- Barikubita kubikiriza no mu mugongo mu nzira yo kwihana. Kubera aribo bikoze mu nda bica Hussein, kandi ari indongozi yabo.

Itegereze neza: Ivyo babikora mu misi cumi ya mbere yo mukwezi kwa Muharam, bakabikora bibaza yuko ari Ibada ibafutira ivyaha vyabo.

13- ATTURBAT التربة GUSENGERA KU KANOMBE:

Ako kanombe (Turba), ni ivu ryavuye kw'isi y'I Karbala ku mva ya Hussein.

Abashia bavuga yuko, iryo vu ari umuti w'indwara zose.

Bakavuga kandi yuko, iryo vu ryo ku mva ya Hussein ryejejwe gusumba n'I Makka.

14- GUSENGA IBIRINGO BITATU GUSA:

1) Basenga Al-Fajr.
2) Basenga Adhuhri bakayifatanya na Al`Asri.
3) Basenga Al-Maghribi bakayifatanya na Al`Ishai.

Ivyo babikora bishimikije ngo umurongo wa Qur'ani (Ayat) uvuga uti:

<< أقم الصلاة لدلوك الشمس إلى غسق الليل وقرآن الفجر، إن قرآن الفجر كان مشهودا>> الإسراء 78.

Insiguro: {{ Tsimbataza isengesho iyo izuba rishitse hagati no mu ntango y'ijoro, usome na Qur'ani mu bucagucagu, mu vy'ukuri Qur'ani yo mu bucagucagu izoba ari icabona}}. Suratul Israi; 78.

15- UKWEMERA KWABO MUBIJANYE N'IHAYAGIZWA MU MAZINA Y'IMANA ALLAH عقيدتهم في الصفات:

Abashia bavuga yuko, Imana ataco woyigerereranya na kimwe, haba mu gihe canke ahantu canke ukuntu canke kwiyunguruza kugenda.

Nk'akarorero, aho Imana Allah Ivuga Iti:

" وجاء ربك والملك صفا صفا "

Insiguro: {{ Niho Umuremyi wawe Azoza n'abamalayika bari ku murongo }}. Alfajr.

Aha rero Abashia ntibemera ko Imana Allah Izoza (mw'ijambo: JAA-A جاء).

16- AL-ADHAAN الأذان :

Muri Adhana y'Abashia, bongereze bavuga bati:

أشهد أن عليا ولي الله. حي على خير العمل.

ASH-HADU ANNA `ALIYYAN WALIYYU LAAH. HAYYA `ALAA KHAYRIL `AMAL.

Insiguro: Ndemeza ko mu vy'ukuri Ally ari umugenzi w'Imana. Nimuze ku gikorwa gisumba ibindi.

17- AL-WUDWUU-U الوضوء UGUKARABIRA ISENGESHO:

كيفية الوضوء عند الشيعة، هو غسل الوجه واليدين بالماء الطاهر، ومسح الرأس والقدمين ببقية ذلك الماء.

Ukungene Abashia bakarabira isengesho (Uzu):

Boza mu maso no ku maboko bakoresheje amazi meza, hanyuma bagasiga ku mutwe bagasiga no kubirenge bakoresheje ayo mazi nyene.

AL-MU`UTAZILAT المعتزلة ABITARAMUYE:

UWATANGUJE UMUGWI W'ABITARAMUYE:

Uwatanguje uwo mugwi w'Abitaramuye, ni uwitwa: WAASWIL BUN ATWA AL-GHAZAAL.

Mu gihe ca Hassan Al-Baswar habaye ukutumvikana kubishikira umuntu (Qadar-Integuro z'ivyagezwe n'Imana), no kuba hagati y'inzu zibiri kuwakoze ivyaha (si umwemera Mana kandi si n'umuhakanyi).

Haje umugabo kwa Hssan Al-Baswar amubaza ati: '' Ewe Imamu wacu! Muri ibi bihe turimwo hiyadukije akagwi gakura abantu mw'idini (Kartadisha) kubera ibicumuro, kavuga yuko iyo ukoze igicumuro uharugwa ko wavuye mu Bwislamu, woducira urubanza gute kuri ako kagwi?''.

Hassan Al-Baswar atangura kwibaza ingene yomwishura, maze ataramwishura haca hiyadukiza uwitwa: Waswil bun Atwau avuga ati: Jewe sinovugako uwakoze igicumuro ari umwemera Mana canke ko ari umuhakanyi yamaze kuva mw'Idini, ahubwo ari hagati y'inzu zibiri (Si umwemera Mana kandi si n'umuhakanyi).

Kwayo majambo avuze; Aca ashigikirwa n'uwitwa: AMRU BUN UBAID BUN BABU.

Hassan Al-Baswar aca arabirukana mu cicaro, baca baritaramura bagenda ku ruhande baca batanguza akagwi kabitaramuye (Mu'utazila) mu kwemera ko umunyavyaha ari hagati y'inzu zibiri (si umwemera kandi si umuhakanyi). Uku rero niko uyu mugwi w'Abamu'utazila wadutse.

IMYEMERERE Y'UWO MUGWI WABITARAMUYE (MU`UTAZILA):

1. Kubishikira umuntu, vyaba bibi canke vyiza ko biva ku Mana Allah. Bobo bavuga yuko Imana Niyo nyene ubutungane, ntushobora kuyagiriza ikibi canke ubwambuzi kandi Imana ntishobora kwipfuriza abashumba bayo ibitandukanye nivyo ibategeka.
2. Bavuga yuko, umunyavyaha ari hagati y'inzu zibiri, si umwemera kandi si umuhakanyi.
3. Bavuga yuko, Iyo umuntu avuye kw'isi yari umwemera Mana akwiye kubihemberwa akinjizwa mu Bwami bw'ijuru, n'iyo avuye avuye kw'isi ari umunyavyaha akahava atarasaba ikigongwe ku Mana, akwiye kubihanirwa akinjizwa mu muriro udahera ubutakiwuvamwo.
4. Bariyamiriza ukugereranya Imana n'ikindi ic'ari co cose mu biremwa vyayo.
5. Barahakana ukubona Imana n'amaso kubazoja mu Bwami bw'ijuru.
6. Bemera ko umuntu afise ubushobozi bwo gukora ikibi n'iciza kandi akwiye kuzobihanirwa k'umusi w'umuhero.

AL-QAADIYAANIYYAT القاديانية:

Abakadiyani: Ni idini ryavutse mu Buhindi mu mwaka 1900, rifashwe mu mugongo n'ubutegetsi bw'Ubwongereza mu ntumbero yo kuyovya Abislamu bave mw'Idini ryabo.

UWATANGUJE IRYO DINI RY'ABAKADIYANI:

Uwatanguje Idini ry'Abakadiyani, yitwa: MIRZA GHULAM AHMAD AL-KADIYAN.

Mirza Ghulam, yavukiye mu gisagara citwa Kadiyani mu gihugu c'Ubuhindi, uyu rero yaciye ahabwa akazi gatuma abantu bashobora kumwitaba.

Leta y'Ubwongereza, yari ifise imfashanyo z'ubwoko butandukanye ikazicisha mu maboko ya Mirza Ghulam kugira berekane urukundo bafitiye Abislamu.

Uyu Mirza Ghulam Ahmad Al-Kadiyan, yapfuye mu mwaka 1908 asize abandi barongozi b'idini rya Kadiyan.

AQIIDATUL QAADIYAANIYYAT عقيدة القاديانية IMYEMERERE Y'ABAKADIYANI:

1. Uyu Mirza Ghulam yatanguje ibikorwa vyiwe nk'umuvugabutumwa wa Kislamu gushika yaho abantu bamushwabadukira, inyuma y'ivyo yabwiye abantu ko ahishurirwa n'imana nawe nyene ari intumwa y'imana. Kandi yabwiye abantu yuko ubutumwa bwiwe busumba ubwa Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n'imigisha).
2. Abakadiyani, bavuga yuko imana yisonzesha, yandika, ikosha, isenga, iryama, ivyuka ngo kandi irongora umugore.
3. Bavuga yuko imana ifise akabira k'Ubwongereza kubera ivuga mu rurimi rw'icongereza.
4. Bavuga yuko, ubutumwa butagarukiye kuri Muhamadi gusa, ngo ahubwo burabandanya. Ngo imana irungika intumwa iyo bikenewe. Bakavuga kandi yuko Mirza Ghulam Ahmad ngo niwe mwiza w'intumwa zose.

5. Bavuga yuko, umumalayika Jibril amanuka kuri Mirza Ghulam agahishurirwa.
6. Bavuga yuko, igitabu cabo citwa: KITABUL MUBIIN, ko cavuye ku Mana.
7. Bavuga yuko, idini ryabo ari idini rishasha rikaba rifise amategeko ya ryo. Ngo kandi n'ingendanyi za Mirza Ghulam ni nk'Abasangirangendo b'Intumwa y'Imana Muhamadi (Imana Imuhe amahoro n'imigisha).
8. Bavuga yuko, igisagara ca Kadiyani, ngo ari nk'igisagara c'I Makka n'I Madina. Bakavuga yuko isi y'Ikadiyani yejejwe gusumba I Makka, kandi ninaho bagenda Guhijji, kuko no mugusenga kwabo berekeza amaso yabo aho I Kadiyani.
9. Umuntu w'Umwislamu wese kuribo ni umuhakanyi kiretse yinjiye mw'idini ryabo ry'Ubukadiyani.
10. Idini ryabo ry'Ubukadiyani, rirabarekurira kunywa inzoga n'ibiyayuramutwe, urumogi n'ibindi….

يا مقلب القلوب ثبت قلوبنا على دينك

اللهم ارزقنا توبة نصوحة قبل الموت

اللهم إنا نسألك حسن الخاتمة

اللهم توفنا مسلمين، وتوفنا مع الأبرار، وألحقنا بالصالحين.

الحمد لله بنعمته تتم الصالحات

وصل اللهم على نبينا محمد وعلى آله وأصحابه ومن تبعهم إلى يوم الدين.....

وآخر دعوانا أن الحمد لله رب العالمين.

Ewe Mana Nyene guhindura imishaha y'abantu! Tsimbataza imishaha yacu kw'Idini ryawe ryiza rya Islamu.

Ewe Mana Allah! Duhe ukwigaya nyakwo imbere yuko dushikirwa n'urupfu.

Ewe Mana Allah! Mu vy'ukuri twebwe turagusavye uduhe iherezo ryiza.

Ewe Mana Allah! Turagusavye uzoduhe gupfa turi Abislamu, dupfane n'aberanda, maze uzoduhuze n'abakoze ivyiza.

Ugushimagizwa gukwiye n'ukw'Imana Allah, yo kubw'inema zayo ivyiza bitungana.

Amahoro n'imigisha Mana! Bisasakaze k'umuhanuzi wacu Intumwa Muhamadi n'imiryango yiwe n'ingendanyi ziwe zose n'abo bose bazobakurikira gushika ku musi w'impera…..

Kukaba nkako, ibisabisho vyacu vya nyuma n'uko ugushimagizwa nyakuri ari ukw'Imana Allah Umwungere w'ibiremwa vyose.